Bujumbura, kuwa 22 Ruhuhuma 2019 vol 07/019 UKURI

UMUKURU W'IGIHUGU CA SOMARIYA YARAGENDEYE IGIHUGU C'UBURUNDI MUGIHE ABASODA BAGERA KU 1000 BAGIYE GUKURWA MURI ICO GIHUGU.

Kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 18 Ruhuhuma 2019 umukuru w'igihugu ca Somariya Mohamed Abdullahi yaragize urugendo rw'imisi ibiri mu gihugu c'Uburundi urugendo rwavuzweko ibitari bike ku vyerekeye ingabo z'Uburundi zagiye ku garukana amahoro murico gihugu ziheruka gufatirwa ingingo n'igisata kijejwe amahoro n'umutekano mw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika ko hagiye gutaha abagera ku 1000.

Naho Umukuru w'igihugu ca Somariya Mohamed Abdullahi yashimiye igihugu c'Uburundi mu gikorwa ingabo z'Uburundi zikora mu kwitanga mu kugarukana amahoro murico gihugu ca Somariya Petero Nkurunziza wewe amusaba ku mufasha ngo bagire akajagari ko kwanka ingingo zafashwe zo kugabanya inteko mva makungu murico gihugu ca Somariya ibitazohava bigira ico bitanga.

Ni mugihe Petero Nkurunziza yamenyesheje ko hakenewe ngo inama yihutirwa ngo yohuza ibihugu vyose vyarungitse abasirikare mu gihugu ca Somariya ngo kugira bigire hamwe ingene igikorwa co kugabanya abasirikare bari muri ico gihugu cotunganywa bikaba biboneka ko yaba umukuru w'igihugu c'Uburundi hamwe n'umukuru w'igihugu ca Somariya batipfuza ko abasirikare barungitswe muri ico gihugu bokurwayo.

Umukuru w'igihugu wa Somariya Mohamed Abdullahi akaba yashitse mu gihugu c'uburundi kuruyu wa mbere igenekerezo rya 18 Ruhuhuma 2019 yongera asubira inyuma k'umutaga wo kuruyu wa kabiri igenekerezo rya 19 Ruhuhuma 2019.

Bamwe n'abandi rero bakaba baragize ico bashikiriza kuri iyo ngingo aho bamenyesha ko gutahukana abasirikare bagiye mu gikorwa co kugarukana amahoro n'umutekano muri Somariya ari ingingo nziza cane ngo kuko nta kuntu nakumwe vyokumvikana ko abasoda babarundi bagenda ku garukana amahoro n'umutekano mu kindi gihugu kandi mu Burundi igihugu c'iwabo inganda zirirwa ziratika abandi bakabona ko nakare ico gikorwa cahindutse ico gushimira bamwe mu bakorera amabi abarundi kuko ngo iyo bahejeje gukora amabi ngo baca barungikwa mmurico gihugu mu ntumbero yo kubashimira. **I. *Axel.***

INGORANE ZIRI HAGATI YA PETERO BUYOYA NA PETERO NKURUNZIZA ZISIGAYE ARI AKAMARAMAZA IMBERE Y'ABARUNDI N'AMAKUNGU.



Abarundi barayamaze bati nta mbeba nkirisu ibaho amagorwa abarundi bamazemwo igihe abatari bake bayagiriza Petero Buyoya na Petero Nkurunziza ko aribo bayazanye bivuye ku bukunzi bw'inda zabo no kurondera gukingiranira ikibaba ku mabi yagiye arakorwa no muri kahise.

Muri kino gihe aho batumvikaniye ku kungene bobandanya barya bongera birenza amaraso yabarundi abo bagabo uko ari babiri basigaye ari nkinkoko n'akagomba aho umwe aciye uwundi yoturira ivyo bikaba vyatumye abaserukiye reta y'Uburundi i Addis Abbeba iyadizabeba mu nama y'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika banyanyagiza impapuro z''itagira umukono muri ico kibanza cariko kiraberamwo inama zivuga ko Petero Buyoya akwiye gufatwa ngo kubera yishe umukuru w'igihugu Ndadaye Merchior ibitari bwigere bibaho n'umusi numwe mu Manama akomakomeye nkayo.

Petero Buyoya rero amaze kubona ibibaye yamenyesheje ko yatangajwe n'ivyo abaserukiye reta y'Uburundi bashikirije mu nama igira iya 32 y'abakuru b'ibihugu vy'ubumwe bw'Afrika bijanye n'umutahe mpuzamakungu wo kumufata yagirizwa ubwicanyi kubwiwe akabona ko ivyo vyakozwe n'abaserukiye Reta y'Uburundi i Addis Abbeba ngo vyerekana ukutamenya amategeko ajanye n'uko ibikorwa birangurwa mu muryango w'ubumwe bwa Afrika hamwe n'ingendo yo kurengera abaserukira hamwe n'abarongoye ibihugu vya Afrika.

Mw'itangazo Pierre BUYOYA yasohoye akaba avuga ko iyo myifato yerekana guhonyanga amasezerano ya Arusha kubijanye n'amahoro hamwe no gusubiza hamwe mu Burundi yatumye agerageza kuzana amahoro n'umutekano mu gihugu kandi ayo masezerano atomora neza uko imanza zizocibwa kubijanye n'ivyabaye mu Burundi kuva buronse intahe yo kwikukira gushika amasezarano ateweko umukono zizoshirwa mu murwi ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi

M.Dior

LETA Y'U BURUNDI YAGIRIZA PETERO BUYOYA N'IGIHUGU C'U RWANDA KUBA BARI INYUMA Y'UMUGAMBI WO GUKURA INGABO ZABWO MURI SOMALIA

Reta y'Uburundi yagiriza uwahoze arongoye Uburundi Petero Buyoya, hamwe n'igihugu c'u

Rwanda ko bari inyuma y'umugambi wo gukura abasirikare 1000 b'abarundi mu bikorwa vya AMISOM muri Somalia mukamenya ko Abasirikare b'abarundi barenga 5000 aribo bari mu bikorwa vyo ku garukana amahoro n'umutekano muri Somalia kuva mu 2007.

Mu mpera z'umwaka uheze wa 2018 ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika rikaba ryari ryatangaje ko u Burundi butegerezwa gukura abasirikare 1000 muri Somalia, ari naco gituma abashika 200 muri bo bashitse mu Burundi kuri uyu wa kane naho uBurundi bwobwo bubandanya kuvuga ko abo basirikare igihumbi bari kugabanywa mu baserukiye ibihugu vyose biri muri AMISOM ari vyo u Burundi, Kenya, Uganda, na Djibuti.

Iryo gabanywa ryabo basirikare rikaba ririko riratuma reta y'uburundi igerageza kunagana mu kwanka iyo ngingo naho abatari bake babona ko ari ukwiha amenyo yabatwenzi kuko ataco bazoshikako. kuva rero kuri Petero Nkurunziza, inama nshingamateka n'ankenguzamateka baragize ico bashikiriza harimwo n'amajambo y'umwiheburo aho mbere izo nzego zahamagaje abashikiranganji b'umutekano no kwivuna abansi, ngo basigurire abashingamateka uko ico kibazo cifashe.

Umushikiranganji wo kwivuna abansi Emmanuel Ntahomvukiye mu gusigurira abashingamateka n'abakenguzamateka akaba yavuze ko bandikiye ikete ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika baryumvisha ko ari ngombwa ko abo basirikare baguma kuri ivyo birindiro gushika ibintu bigiye mu buryo muri ico gihugu aho yanavuze ko abasirikare b'u Burundi muri Somariya ngo bari ku birindiro bigoye ngo aho abarwanyi ba Al Shabab basanzwe bavurwa ari benshi.

Emmanuel Ntahomvukiye yabandanije agira ati: "Urwo rwandiko twararwanditse tubamenyesha yuko ibi vyifuzo twabarungikiye batavyubahirije, aho gutegura gutahana igihumbi gusa ahubwo boca bitegurira gutahukana ingabo zacu zose, kubera yuko tutokwemera ko abasirikare bacu bahonerayo".

Abashingamateka n'abakenguzamateka bakaba barabajije uwo mu shikiranganji ko yomenya icoba carafatiweko catumye hafatwa iyo ngingo nawe akaba yavuze ko ari urwanko u Burundi bumaze igihe bufitiwe mbere akaba yadomye urutoke ku wahoze atwara u Burundi, Petero Buyoya, asanzwe aserukiye ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika muri Mali n'akarere ka Sahel, hamwe n'igihugu c'u Rwanda kuba ari bo babiri inyuma ngo kuko n'inama zose zategura uwo mugambi wo kubangamira u Burundi ngo zibera mu gihugu c'u Rwanda.

Leta ya Somariya ivuga ko igikeneye ko abasirikare bose bari mu mugambi wa AMISOM baguma muri ico gihugu, umukuru wico gihugu Mohamed Abdullahi, akaba aheruka kugendera ibihugu biterera abo basirikare harimwo n'u Burundi. ***B. Armel.***

KURI UYU WA KABIRI INAMA NKURU Y'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU ONI YARAKORANYE AHO YIZE KU KIBAZO C'UBURUNDI.

Munama yabaye kuri uyu wa kabiri igenekerezo rya 19 Ruhuhuma y'ishirahamwe mpuzamakungu ONI rijejwe amahoro n'umutekano kw'isi, intumwa idasanzwe y'umunyamabanga mukuru w'iryo shirahamwe Michel Kafando yararonkejwe umwanya wo gushikiriza ijambo aho yamenyesheje ko umuti wonyene ku bibazo bihanze uburundi ari ibiganiro bidakumira bihuriyemwo bose.

Iyo ntumwa idasanzwe y'umunyamabanga mukuru ikaba yaragarutse ku kuntu uburundi ngo buriko burihata cane ngo mu kureka abandi bakagira uruhara muri politike bisanzuye aha akaba yashima ko reta y'uburundi iheruka kwemerera umugambwe urongowe na Agaton Rwasa ngo yari amaze igihe kirekire asaba ko bomuha uburenganzira bw'umugambwe wiwe ivyabandi batari bake babonyemwo umukenyuro w'ubutegetsi kuko ngo n'ubundi iyo reta yari isanzwe ikorana nuwo mushingantahe Rwasa.

Ikindi Michel Kafando asa nuwashima ngo nukuntu Petero Nkurunziza amaze ku menyesha ko atazokwitoza mu matora yo mu 2020 mugabo akagirako atumirira reta y'Uburundi ngo kubandanya ireka bose abo vyega ngo kugira bagire uruhara mw'itunganywa ry'ibibazo biri mu Burundi atanumwe akumiriwe.

Kafando mu kurangiza ijambo ryiwe akaba yaciye amenyesha ko ivyegeranyo aronka ku musi ku musi ngo vyerekana ko hakiri agahaze mu Burundi mbere kubwiwe ngo akaba ari naco gituma atawohava avuga ko ibintu vyera ngo de ngo hakwiye nyabuna kubandanya hakorwa utwigoro na wa murwi wa ONI ujejwe kw'ubahiriza agateka kazinamuntu ngo kugira haboneke ituze mu gihugu.

Ivyo bikaba bivurwa gutyo mu gihe ku musi ku musi hadasiba kwibonekeza ububisha bukorerwa abarundi mbere rimwe na rimwe bugakorwa nabari mu nzego z'igihugu bagizwe n'abaporisi hamwe n'abasirikare tudasize inyuma n'urwaruka ruhurikiye mu mugambwe CNDD FDD uri kubutegsi. ***B. Armel.***

RETA YA PETERO NKURUNZIZA YAREMEREYE UMUGAMBWE MUSHASHA CNL WA AGATHON RWASA GUKORERA MU GIHUGU C'UBURUNDI.

UBUGABO S'URUCUMU

Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bubitegetswe na Petero Nkurunziza ubwiwe bwaremereye umugambwe CNL (Congrès National pour la Liberté) w'umushingamateka Agathon Rwasa asanzwe akorana na reta ya CNDD-FDD nk'i icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka.

Kw'tegeko nshikiranganji inomero 530/237 ryo kw'igenekerezo rya 14 Ruhuhuma umwaka wa 2019 rivuga ko umugambwe CNL urongowe n'umushingamateka Agathon Rwasa wemerewe gukorera mu gihugu c'Uburundi.

Uwo mugambwe CNL ukaba wemewe inyuma yaho Agathon Rwasa yaheruka kwankirwa n'ubwo bushikiranganji ko umugambwe witwa FNL (Front National pour la Liberté) yari yasavye ko wemererwa warufise ibimenyetso bisa n'ivy'uwundi mugambwe urongowe na Jacques Bigirimana nawe nyene asanzwe akorana n'ubwo butegetsi nyene aho yaciye asabwa ko yohindura agasaba gushasha kwemererwa.

Hakaba hari amakuru avuga ko imbere y'uko bamwemerera uwo mugambwe hoba harabaye amasezerano yoba yaragiranye n'ubwo butegetsi aho bashobora kuba bafise ivyo bumvikanye bijanye ningene bobandanya gucinyiza abarundi bagowe ayatavurwa muri kino gihe. ***M.Dior***